Amajambo akundwa cane n'Imana Allah gusumba ayandi, ni ane: ukuvuga uti: "SUB-HAANA LLAAH", na "AL-HAMDU LILLAAH", na "LAA ILAAHA ILLA LLAAH", hamwe rero na "ALLAHU AKBAR", uguhera kw'ijambo iryo ari ryo ryose rero muri yo, nta co bigutwara

Mu vyakiriwe na Samura mwene Jundubi (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Amajambo akundwa cane n'Imana Allah gusumba ayandi, ni ane: ukuvuga uti: "SUB-HAANA LLAAH", na "AL-HAMDU LILLAAH", na "LAA ILAAHA ILLA LLAAH", hamwe rero na "ALLAHU AKBAR", uguhera kw'ijambo iryo ari ryo ryose rero muri yo, nta co bigutwara".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aratomora ko amajambo akundwa cane n'Imana Allah gusumba ayandi, ari amajambo ane: SUB-HAANA LLAAH, risigura inihazwa ni iry'Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere mu kwezwa na kirya cose gitera akanenge canke agahaze. AL-HAMDU LILLAAH, risigura ishimagizwa ni iry'Imana Allah mu guhabwa amashimwe yose atunganye harimwo n'ukuyikunda hamwe n'ukuyubaha. LAA ILAAH ILLA LLAAH, risigura ko ata mana ikwiye gusengwa vy'ukuri atari Imana Allah. ALLAHU AKBAR, risigura ko Imana Allah ari Yo Ikwiye gukuzwa no kuganza vyose, Igahabwa ubukuru busumba vyose no muri vyose. Ivyiza vyo kuvuga aya majambo no kuronka impera yayo, ntibirinda ko uyatondekanya mu kuyavuga nk'uko yavuzwe mu nyigisho y'intumwa.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/5475